Government of South Australia
Department for Education

**Office of the Chief Executive**

31 Flinders Street
Adelaide SA 5000

GPO Box 1152
Adelaide SA 5001
DX 541

www.education.sa.gov.au

Banyakwubahwa bavyeyi
n'abarezi,

COVID-19 yavyuye ibibazo vyinshi bidasanzwe kuri twebwe, abantu ku giti cabo, imiryango n'ibibano.

Turanezerejwe no kuvuga yuko abigisha bacu hamwe n'abakozi babashigikira bafashe nka nkama ico kibazo. Naho hariho uruhagarara bashobora kuba bari bafise nk'abantu bo mu kibano, baguma bashira imbere ukwiga kw'abanyeshuri babo imbere y'ibindi vyose.

Amashuri hamwe n'abatarakwiza imyaka yo kuja mw'ishuri ni ibikorwa nkoramutima. Impanuro z'abajejwe amagara y'abantu zivuye kuri ba karuhariwe bo muri Australia ni uko ayo mashuri ashobora kuguma yuguruye kandi ko yategerezwa kuguma yuguruye.

Tuzoguma turongorwa kandi dukorera ku mpanuro z'abajejwe amagara y'abantu, kandi ivyo basaba ku bijanye n'uko hagati y'abantu babiri hategerezwa kuba inta hamwe n'ugukurikiza amabwirizwa y'isuku mu vyumba vyacu abana bigiramwo hamwe n'aho bakinira. Umutekano n'ukumererwa neza kw'abanyeshuri bacu, abakozi hamwe n'abanyeshuri bose ni nkoramutima igihe cose tuzobandanya gutanga indero n'inyigisho z'akanovera.

Nubwo benshi baguma I muhira kugira ngo bafashe guhagarika ukurandagata kwa COVID-19, na twebwe ntituzogumiza amaboko mu mpuzu, ntituzorema.

Kubandanya twigisha abana bacu hamwe n'abakiri bato  muri iki gihugu biguma ari kintu nkoramutima kuri twebwe. Abigisha, abigisha abana bakiri bato cane, abayobozi hamwe n'abakozi b'igisata  bama igige cose– baraba ivyo dutanga kugira ngo dushigikire imiryango n'abarezi muri ibi bihe bidasanzwe.

Mw'iyinga riheze twaratanguje inyigisho zacu SA, urubuga ngurukanabumenyi rwuzuyemwo kandi rubitse ibintu vyinshi vyo kwigisha kugira ngo dufashe abana n'abakiri bato bashobore kubandanya biga n'igihe boba bari muhira. Ibi bikurikira ni ahantu harimwo  intonde z' imboneshakure ABC zo ku rwego rwo hejuru kandi zishobora gufasha abanyeshuri kwiga. Urwo rubuga ruzobandanya rukura usabwe rero kururabira kuri
www.ourlearning.sa.edu.au.

Twarashizeho vyongeye impanuro ku rwego rw'imiryango kuri urwo rubiuga ngurukanabumenyi, rufise ama video n'ibindi bintu vya nkenerwa kumenya ku banyeshuri n'imiryango, harimwo:

- Gushiraho ahantu heza ho kwigira
- Kuguma unezerewe kandi ufise amagara meza igihe uriko urigira i muhira
- Gusomera I muhira uri kumwe n'umwana wawe
- Gutegura kwigira ku buhinga ngurukanabumenyi
- Kuvugana n'umwana wawe ku bijanye na COVID-19

Amashuri n'abana batarashika ku rwego rwo gutangura ishuri bacimenyereza bageze ku nzego zitandukanye mu gushira mu ngiro ivyerekeranye n'ukwigira kure y'i muhira. Hejuru y'ivyo, ntituzi yuko abana bose bafise imashini nyabwonko i muhira, canke internet.

Iri yinga, mu gihe c'abanyeshuri bane bari mu karuhuko k'imisi yo kwidegemvya, abigisha bacu batwara kwigira muhira ku rundi rwego rukurikira.

Turiko turashiraho ivyumba vyo kwigiramwo bigaragara ku mwigisha uwo ari we wese, kandi turiko turashakashaka uburyo bwo kuronka abana batagira imashini nyabwonko canke internet zarumitswe ku mashuri yabo. Ibi bijana n'ibindi vyashizwe ahabona, abigisha bagumye babitegurira abanyeshuri babikeneye.

Tuguma dutangarira ingene abakozi bacu n'abigisha bakorera hamwe mu gutegura igihembwe ca kabiri 2. Twese dukorera hamwe.

Usabwe gukorera hamwe n'umwigisha w'umwana nimba ukeneye iyindi mfashanyo irengeye iyo ufise canke ufise ikibazo ico ari co cose.

Uwawe,

Hon John Gardner MP
**Umushikiranganji w'indero n'ubumenyi**

7 Ndamukiza 2020

Rick Persse
**Umuyobozi mukuru**

7 Ndamukiza 2020